**ETERNAL REDEMPTION**
**John 8:1-12**
Lesson 73
Memory verse: "*Blessed are they whose iniquities are forgiven, whose sins are covered."* **Romans 4:7**

**UGUCUNGURWA KW'IBIHE VYOSE**

**Yoh. 8:1-12**

Icirwa ca 73

Ijambo ryo gufata k'umutwe : ***« Harahiriwe abahiriwe ibigabitanyo vyabo bigatwikirwa »*** **Abaroma 4 :7**

## I. Intangamarara.

Uyu mugore yagize isanganya mu bikorwa vyiwe yama akora vyo gusambana, arafatwa n'abagabo n'abana. Nta kindi cari gisigaye atari kumuzana ngo aciribwe urubanza hakurikijwe ivyagezwe vya Mose. **Abalew. 20 :10** « *Umuntu ni yasambana n'umugore w'uwundi, agasambana na muka mugenzi we, uwo musambanyi n'uwo musambanyikazi ntibaze babure kwicwa*. » Amahirwe y'uyu mugore, asanga bamuzaniye umucunguzi w'abantu ; atitaye kuvyagezwe, ahubwo arondera gukiza umutima w'umuntu.

## II. Ni ibihe vyaha Yesu yacunguye ?

Igihe yari k'umusaraba, Umwami Yesu yacunguye abantu ivyaha vy'ubwoko bwose kuri bose. Hari abafise amakenga ko hoba hari ivyaha bitoharirwa n'Imana. Umuntu yacunguwe ku caha cose gikorwa n'umuntu muri iyi si. Ibi binyuranye n'ivyagezwe/amategeko. Woshobora gusambana, ubutungane bukagucira ibihano vyo gufungwa n'amande ariko, imbere y'Imana waraharíwe umusi waca bugufi ukihana mu mutima.

## III. Yafatanywe itonga mu ntoke. Ni abantu bangahe basambana mw'isi ?

Iyi nkuru itwereka uyu mugore yafashwe imbonankubone asambana, ikatwereka n'ubuntu yagiriwe n'umwami Yesu. Abagabo n'abana batora amabuye ngo bayamutere bamwice. Nyuma y'ikibazo babajijwe, bose baronjora umwe umwe. Aha niho tubona ko abantu bose bokwagirizwa ubusambanyi.

Umwami Yesu ubwiwe yavuze ko nuwitegereje umugore wuwundi akamwipfuza aba asambanye nawe. Uyu mugore yarafashwe koko ariko ; abatarafatwa nibo benshi kuko ibibera mu mitima y'abantu nivyo vyinshi. Nico gituma abantu twese dukeneye ubuntu n'imbabazi vy'Imana.

**IV. Ni nde yohabwa ubwo buntu bw'Imana ?**

Uwokwakira ubwo buntu bw'Imana ni uyo wese abwipfuza, atiyita umugororotsi ngo atondane amabuye yo gutera abandi, akumva yokwegera Imana gusumba uko yahora. Abo bafarizayo babajije Yesu bati : « ***Weho uvuga iki*** ?» bari bazi ico ivyagezwe bibivugako, kandi babona ko Yesu ataronka ico abishura. Biraba, bumva ari abagororotsi. Bumvise irivuzwe na nyen'ubuntu, umwe wese yavugana n'umutima wiwe, baca basanga nabo nyene bohava baterwa amabuye igihe ivyabo vyoja ahabona. Bari bakeneye ubuntu buva kuri Kristo.

Iyo Yesu avuga ko adakwiye guterwa amabuye ; bamwagiriza kutubaha ivyagezwe. Iyo abemerera kuyamutera ; nawe nyene baca bayamutera kuko yagirijwe kwicisha umuntu. Urahora witonda mu kwishura ikibazo ubajijwe. Aca yandika hasi. Ijamabo yaditse ryinjira mu mitima yabo, baca barimenya abo aribo koko. Yesu avuze, womenya uwo uriwe.

**V. Kubera iki Imana yatanze ivyagezwe 613 ?**

Ivyagezwe bijana n'ibihano. Imana yatanze ivyagezwe 613 kugira twese tumenye ko turi abanyavyaha kuva mu mutwenzi gushika k'umugoroba. Naho woba uryamye, biragoye ko ryorenga udacumuye kuri na kimwe muri ibi. Woba ukwiye guterwa amabuye. Ivyagezwe biratwibutsa ivyaha ariko, Yesu niwe aduha agakiza tukabinesha.

**VI. Ivyaha vy'umuntu vyanditswe he ?**

Yesu arababwira ati: "Uwutagira *icaha muri mwebwe nabe ariwe abanza kumutera ibuye*" fata ko Yesu ahagaze aha hagati abajije iki kibazo. Uraca ukora iki ? Imana umuremyi wacu yandika ivyaha vy'abantu ahantu habiri :

1. ku bisate arivyo mitima yabo : soma **Yerem 17:1. I**ki nico catumye aba bemera ko ari abanyakabi batarinze kubisoma ahandi hantu. Umuntu wese arashobora gusoma ivyaha vyanditse k'umutima wiwe akamenya ko azoja mw'ijuru canke atazojayo. Iyo wumva ukekeranya, nivyo bica bikumenyesha ko utari mubazojayo.

2. Mu gitabo kiri mw'ijuru : soma **Ivyahish. 20:12** ibikorwa vyose vyiza canke bibi birandikwa mu bitabo biri mw'ijuru. Ibi bizotuma umuntu wese acirirwa urubanza rukwiranye n'ivyo yakoze.

**VII. Gushira mu ngiro.**

« ***Nanje sindaguciriye urubanza. Ni wigire, guhera ubu ntuzosubire gukora icaha*** » Biraboneka ko uyu mugore yari yaciye bugufi ari mu birenge vya Yesu ; yahumirije yemera ko agomba gupfa kuko we ntiyaronse n'akaryo ko gusoma ivyo Yesu yanditse hasi.   Ico gihe bishoboka ko Yivugana ati : « *Mbabarira Yesu ubusambanyi bwanje, ndacashaka urukundo rwawe, hamwe womparira sinzosubira*. » Yesu yari yabonye ukwihana ko mu mutima wiwe. Ntiyitayeho ivyo kumucira urubanza nk'abo bandi.

Ariko ayaga na Yesu, abona Yesu nta mabuye afise mu maboko. Araremerana, aranezererwa. Aramubwira ko ata rubanza amucira. Amusaba ko atozosubira gukora ivyaha. Vyumvikana ko uretse urupfu rwo mu mubiri ; yozohava apfa urupfu rwa kabiri.

Uyu musi nawe urashobora kubwira Yesu uti : « Erega ntakindi mfise nokwereka uretse ivyaha vyanje. None ngirira ikigongwe. Wohaguruka ugasenga ubu nyene urahabwa ubugingo buhorahho, shibura ivyo bibuye utengase kuko ivyawe nawe si bike.

**SIGHT OR BLIND**
**John 8:12-15; 9:1-12**
Lesson 98
Memory verse: "*Do you see a man wise in his own eyes? There is more hope for a fool than for him.*" **Proverbs 26:12**

**KUBONA CANKE GUHUMA.**
Icirwa ca 98

**Yohana 8:12-15 ; 9:1-12**

Ijambo ngenderwako **:** « ***Niwabona umuntu avuga ko azi ubwenge (abona) Umenye ko igipfu copfanirwa ikizigizigi kuruta uwo.*** » **Imigani 26:12**

## I. Intangamarara

Mw'isi umuntu umwe arafatwa n'indwara y'ubuhunyi mu minota mirongo ibiri. Bamwe barabuvukana ku bandi biterwa n'indwara zitandukanye : Diyabeti, umutima… canke imyotsi y'ibikoho vy'intambara. Ubumuga bw'umubiri burababaza cane. Ariko hari ubundi buhumyi bwo mu buryo bwa Mpwemu bukomeye gusumba ubu bw'umubiri.

## II. Umuco no kubona.

**Yoh.8 :12** « *Yesu yongera kubabwira ati jewe ndi umuco w'isi, uwunkurikira ntaho azogendera mu mwijima*. » Aha Umwami Yesu yariko yerekena ko ariwe ashobora gukuraho umwijima. Si umwijima w'ikirere ariko ni uwo mu mitima y'abantu b'isi. Aha umwe wese yokwibaza ko yoba ahagaze mu muco w'Imana.

Yohan.9 : 1. « *Ariko arahita, abona umuntu yavutse ari umpumyi*. » uyu yari yavukanye inrwara yo kutabona ikintu na Kimwe co mw'isi.

Birashoboka ko umuntu avuka akanura mu buryo bw'umubiri ariko Imana ikabona ko ari impumyi. Nico kimwe n'uko umuntu yovuka atabona m'uburyo bw'umubiri, ariko Imana ikabona ko akanura. Ikinezereza Imana ni uku kubona ko mu Mpwemu. Kuko bene uyo, azoba amahoro y'abagororotsi mw'ijuru.

Nico gituma Yesu yishuye intumwa ziwe ko atawakoze icaha kugira uyu muntu avuke ari impumyi. Hari abatoteza abantu babemeza ko ukurwara kwabo canke amageragezwa barimwo yatewe n'uko bakoze ivyaha. Iyo biba uko, nta numwe yoba atarwaye ingwara zikomeye kuko nta mugororotsi ari mw'isi.
*« Erega n'abera bayo ntaho ibizigira, mbere n'ijuru na ryo ntiritunganye mu nyoga zayo ; nkanswe umuntu agayitse agotomera ibigabitanyo nk'amazi »***. Yobu 15 :15-15.** Mw'isi nta mugororotsi uretse ubuntu bwa Yesu Kristo.

## III. Kubera iki indwara k'umuntu

Imana ntiyaremye ingwara canke urupfu.
Umugambi w'Imana mu kurema umuntu kwari ukugira azohore ayihimbaza nk'uko ibindi biremwa vyo mw'ijuru bibkora. **Efes. 1 :11-12** « *Twashiriweho…kuzoba abo guhesha icubahiro ubwiza bwayo, twebwe abizigiye Kristo kera*. » icaha kimaze kugera mw'isi, ingwara zaciye zitangura k'umuntu, amavuriro, urupfu, imanza zo kugandara no kuganduka.

Yesu yarerekanye ko ukurwara biva ku mpamvu nyishi.

1. Ingwara zirashobora gufata umuntu ku ntumbero yo guha Imana icubahiro mu gihe asengewe agakira.
2. Ingwara zirashobora kuza kugira zigishe kandi zikosore umuntu. Icumba co mu bitaro ni nk'ishure y'umunyeshure. Umwigisha ni Yesu. Igihe cose umuntu akitswe n'amagara, aba abona ko ashobora no gupfa, aha rero arashobora kwiga akamenya ko iyi si atari aho azohora bigatuma aca bugufu akubaha Imana.

Igihe umuntu ababajwe n'indwara akwiye kwihangana kuko ziriho ngo zishitse isezerano ryo gupfa k'umuntu.  Bibabaje mu gihe abenshi bakunda guta agakiza mu misi ya  nyuma yo kubaho. Ubu buba ari ubuhumyi bubabaje.

## IV. Uwavutse ari impumyi

Uyu muntu yavutse ari impumyi, Yesu amukijije Abafarisayo baramwanka bamwirukana mw'isinagogi. Ntaco vyamugize kuvyo kwizera Kristo. **Zaburi 27:**10 « *N'iyo data na mama bonta, Uhoraho azonyitorera*. » yahisemwo kuba mu muco mugihe Abafarisayo bahisemwo kwibera mu mwijima ibihe vyabo.

## V. Gushira mu ngiro.

Ubuzima bw'umuntu bwuzuye ibibazo vyo m'uburyo bwinshi. Umwijima arivyo vyaha n'ivyago nivyo vyuzuye isi. (Ingwara, ubukene, uburozi, ubusambanyi, urwanko, kwambara ubusa n'ibindi) Yesu Kristo yaje mw'isi kugira yatse umuco kuri uwo wese avyipfuza. Biroroshe kwibwira ko ubona, ariko hahiriwe uwomva afise inyota yo kubona akarondera umuco ariwe Yesu.
Ibihe vyo kwakirwa n'umuco birashitse, ni ahawe kwumva wopfukama ugasenga. Imana ikakumurikira.

**WHAT IS A SIN?**
**JOHN 8:21-25**
Lesson 48
Memory verse: "*For all have sinned and fall short of the glory of God.*"
**Romans 3:23**

**ICAHA N'IKI ?**

**Icirwa ca :48**

**Yohana 8:21-25.**

Ijambo ngenderw : ***« Bose bakoze ivyaha ntibashikira ubwiza bw'Imana »***
**Abaroma 3:23**

**I. Inkomoko…y'icaha.**
Icaha ca mbere tuzi cakorewe mw'ijuru. Lusiferi, umumalayika akomeye, yatwaye inda yo kwipfuza kungana n'Imana, niko gutanguza intambara mw'ijuru. **Ivyah. 12:7** « *Mw'ijuru havyuka intambara ; Mikayeli n'abamarayika biwe barwnya ca gisato.igisato kirwanana n'abamarayika baco*. » Lusuferi aratsindwa bimuviramwo gutakaza ikibanza ciwe mw'ijuru. Yahindutse uwo Bibiliya yitwa Dayimoni, umubeshi, canke Satani, umwansi.

Icaha ca mbere cakorewe kw'isi kivugwa mu nkuru y'Itangiriro 3. Aho Adamu yakora icaha co kutumvira akarya ku giti Imana yamubujije. Umuntu aba abaye umunyavyaha, ivyago n'urupfu bironka ikibanza. Nico gituma tugifite amazu y'amabohero, ibitaro vy'abarwaye, amatongo y'abapfuye, ibigandaro, …. Siko Imana yari yarabiteguye.

**II. Ibikorwa vy'abantu bibatandukanya n'Imana.**

**A. Icaha**

Soma **Zab. 51:1-7.** Ijambo rya mbere ry'igiheburayo Dawidi yakoresheje mukuvuga ivyo yakoze ni 'Hatah'. Umurongo wa **3,** risobanurwa ko ari icaha (" icaha canje cama imbere yanje"). Iki gisigura **guhusha intumbero**. Dawidi yari ajejwe gucungera abantu Imana yamuhaye kuganza, ariko niwe yatanguye kubasambanya, yongera yica n'abasoda biwe kubera icaha yakoze. Yahushije intumbero. Ica yarajejwe gukora sico yakoze. Bibabaza Imana.

•Dawidi nk'umusore yari yarize gukoresha itopito. Nta nkeka iyo agerageje kurasa hama agahusha icatumbereye, umwe mubagenzi biwe yarashora kuvuga n'ijwi rirenze ngo : "raba ingene uhushije intumbeo kandi".
•Yibutse yuko ari umuntu yagiriwe nicaha gikomeye, kumbure yaraboroze avuga ati : "yoooh Mana, wandemeye ibintu bihambaye cane kurusha ubusambanyi, akaborerwe n'ukwica. Vyagenze gute ngo mpushe intumbero?".
•Nimba uruwokwihana icaha cawe, utegerezwa guhitamwo k'uvuga nka Dawidi uti : " icaha canje ni kibi cane. Natakaje intumbero".
Ntuba uratura vy'ukuri igihe  utaragera ahantu wemanga ibikwagira. Utegerezwa kwemeranya n'Imana ko utsinzwe kandi ko atavyireguro ugira".

**B. Igicumuro**

**Zab. 51:1b** "usibanganye ibicumuro vyanje " Mugiheburayo, *Pasha*, risobanurwa ngo ibicumuro, risigura "**ukutumvira n'ibigirankana".** Igicumuro ni ico kibi cose ukorera ubizi neza ko uriko ukora ikibi Imana yanka. Ubirengako ubizi kandi uvyibuka.

Ico Dawidi yakoze nticari isanganya. Yarazi kwariko akora ibibi. Yarazi ivyagezwe vyabuza ubusamabanyi n'ubwicanyi. Yararenze abikora n'ibigirankana hama ararenga amabwirizwa y'Imana. Ntambabazi yarafise.

Ugutakamba kwa Dawidi kwasaba Imana ngo isibanganye ibicumuro vyiwe. Irivuga "gusibanganya" risigura "kweza". Dawidi yariko asaba Imana ngo imuharire kandi ngo yibagire ivyaha vyiwe. Ibi nivyo bigaragara igihe wihanye ivyaha vyawe hama ukaza mukwizera kuri kristo.

**C. Ikigabitanyo**

**Zab 51:2**"*Unyuhagire rwose ukugabitanya kwanje, unyoze icaha canje*".
Iri jambo riva mw'ijambo ry' Igiheburayo 'awon' risigura **uburyarya**.

Umwami Dawidi yamye ar'umuntu yuzuye ubwibone bw'ukugororoka. Kumbure yarashobora kwibwira ati : "sintunganye, ariko nd'umuntu mwiza. Nja mw'ishengero imisi yose kandi ngatanga ibimazi. Nd' umuvyeyi mwiza kandi umuntu  akora imirimo w'umunyakuri. Nipimye n'abandi, noronka amanota meza cane".  Bwari uburyarya kuko ivyaha vyari mu mutima wiwe vyari ibisesema. Niho uburyarya bwiwe bumaze kugaragara, Yategerezwa kwibona nk'uwutsinzwe.

Icaha ciwe cari nk'umwanda mwinshi, warukenewe gukurwaho. Nico catumye asaba Imana ngo imweze.

### III. Gushira mu ngiro

Mu B**aroma 6:23**, Imana ivuga icese ko ***ingero y'icaha ari urupfu****.* Urupfu nirwo rukwiriye uwakoze ivyaha. Imigenderanire yari hagati y'Imana nawe iba ihagaze. vya bihe vy'umunezero, vyo kuvugana kwa se n'umwana wiwe biba vyahagaze. Iyo migenderanire ntishobora kugaruka imbere yuko ico caha cihanwa ngo kibabarirwe. Iyo twatura ivyaha, Imana ni iyo kwizigirwa kandi igororoka kutubabarira no kudushitsako ubugororotsi bwose.

Yesu Yemeye kwikorera ivyaha vyawe k'umusalaba i Gologota. Niba hari icaha arico mw'ibanga canke ico n'abantu bandi bazi ; fata akanya usenge Yesu araguharira ubu nyene.

**TRUTH OF MAN AND OF JESUS CHRIST**
**John 8:21-29**
Lesson 99
Memory verse: "*If we say that we have no sin, we deceive ourselves, and the truth is not in us."* **John 1:8**

**UKURI K'UMUNTU NO KURI YESU KRISTO**
Icirwa ca 99

**Yohana 8:21-29**

Ijambo ngenderwako : « ***Tuvuze ko ata caha dufise, tuba twizimiza, ukuri ntikuba kuri muri twebwe***. » **1 Yohana 1:8**

## I. Intangamarara.

Mu gihe c'intambara ya kabiri y'isi yose, abasoda 35 barafashwe bafungirwa mu mabohero ya mu Buyapani. Barakorerwa ibibi ku mibiri yabo kugeza aho bahahamuka bamera nk'abasazi. Bari baribagiranywe. Ishirahamwe croix Rouge niryo ryagenda rirangisha uwobona n'umwe muri bo.

Umuganga yabakurikirana yavuze ko batoshobora gukira atari uko babonanye n'imiryango yabo ifise ico ibaziko. Umwe muri abo yaguma abaza ikibazo uwo abonye wese ati : « *Hari umuntu yoba azi uwondiwe ?* » vyoshoboka ko abenshi bamwishura ko ari imfungwa y'umusirikara ivuga igifaransa, ariko we yoba yashaka kubabaza ibindi vy'ubuzima bwiwe bitamenyekanye mu Buyapani.

Biroroshe kuvuga umuntu uwariwe umurabiye inyuma : uko asa, ubutunzi afise, amashuri yize…. Ariko vyukuri umuntu nya muntu si uwo winyuma tubona. Ni uw'imbere mu mutima. Woshobora kumwita umurozi kuko ubonye ashaje canke akenye canke mbere muhwanye mw'ijoro ukibaza ko avuye gukinda ariko ugasanga uramwihenzeko cane. Ni nde yoba azi neza umutima w'imuntu ?

Abahinga berekana ko umutima w'umuntu ufise ivyumba bine :

1. Icumba ca mbere kirimwo ibintu Imana izi, mwenevyo azi n'abantu bazi ;

2. Ica kabiri kirimwo ibintu Imana izi, n'abantu bazi, mwenevyo atiyiziko ;
3. Ica gatatu kirimwo ibintu Imana izi, mwenevyo azi, abantu batazi ;
4. Icumba ca kane kirimwo Ibintu Imana izi, mwenevyo n'abantu batazi.

## II. Inkuru mbi na nziza ku kuri k'umuntu.

Umwami Yesu agira atubwira abo turi bo :
Umuntu ni umunyavyyaha akwiye igihano c'urupfu. **Umur wa 24$_b$** « *Kuko ni mutizera ko ndi we, muzopfira mu vyaha vyanyu »* bavukiye mu vyaha, ni batizera ko ari we NDIHO bazopfira muri vyo.

Umunyamerika yitwa James Straus yashinze ishirahamwe ryigisha rikamenyereza abantu ukutazopfa. Bafise icivuga kigira giti : « Jamais à la mort= Oya ntagupfa » bakoranira i Arizona bashika 15,000 birirwa banywa inzoga baririmba ico civugo, bigishanya uko birukana urupfu.
Naho abantu bakora ubugaba bukabije, hari porogarama bubahiriza. Gupfa.
**Hebur. 9:27** : *« Kandi nk'uko abantu babikiwe gupfa rimwe, hanyuma yaho hakaza imanza*. »

Nkuko Yesu yabibwiye aba bakuru b'isinagoge, umuntu wese ni umunyavyyaha. Abishaka canke atabishaka yisanga yakoze ivyaha vyomwicisha. Mu vyo avuga, muvyiyumviro, muvyo akora n'ibindi. Kubere ko aba bafarisayo banse kumwizera, nico catumye ababwira k'umurong **wa 44$_b$ ati** : « *Mwebwe muri aba so Satani, kandi ivyo so yipfuza nivyo mushaka gukora… yamye ari umunyakinyoma* » Aburahamu yari sekuru wabo wo mu mubiri ; Satani nawe aba sekuru na se wabo mu vya Mpwemu. …. Kuba umuntu yama ari umunyavyyaha ni inkuru mbi.

**Hari inkuru nziza :** Umuntu arashobora kwitwa umugororotsi, agahabwa ingabire y'agakiza, akemererwa kuzobana n'Imana n'abamarayika mw'ijuru. Ibi si uko adacumura. Abihabwa nuko yizeye Yesu Kristo akitondera ivyo yageze. Iki nico gituma Ijambo ry'Imana ryihaniza uwo wese yubahuka gucira uwundi urubanza yibwira ko wewe ari umugororotsi.

## III. Inkuru nziza y'uwo Yesu ari.

Yesu niwe kuri, inzira n'ubugingo.
Soma umurongo wa 31, 32 na 36. Kumenya ukuri, kuba umwigishwa wa Kristo no kuronka umwidegemvyo. Ibi ntahandi wobironka atari muri Yesu Kristo.

Isi ntinezererwa n'umuco kuko ibikorwa vy'ab'ayo ari ivy'umwijima. Nta kuri kuri mw'isi. Ikinyoma nico cahawe ijambo mu bisata vyose vy'ubuzima.
Nta mwidegemvyo uba mub'isi. Satani atwaza abiwe amanyama n'agahahazo.
Yesu amaze kubereka ivyo vyose baca bashaka kumutera amabuye. **Umur wa 59**.
« Baca batora amabuye yo kumutera. »

**IV. Gushira mu ngiro.**

Kubera ko umuntu yavukanye kamere yo gucumura, urasabwa kuraba mu cumba c'umutima wawe, ukamenya ko wizeye Kristo neza ugakora n'ivyo yakugeze. Aho niho Imana itazokwitwa umwuzukuru canke umwana wa Satani. Azokwitwa umwana wiwe. Ico kumenya ni uko inyuma y'urupfu umwe wese azotera aja iyo se aba. Mw'ijuru canke mu muriro. Inkuru nziza ni uko Yesu yataze ubugingo bwiwe kugira ngo uwumwizera ahabwe ubugingo budashira. Nawe urashobor.